Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°810 01 Ntwarante 2024

## Mu bugaragwa, Imana iraducira inzira y'umwidegemvyo

*Inyigisho ya Nyenubweranda Papa Fransisko yerekeye Ikarema umwaka w'2024*

***Mu bugaragwa Imana iraducira inzira y'umwidegemvyo***

Bavukanyi mwese,

1. Igihe cose Imana yimenyekanishije, iradushikiriza umwidegemvyo : « Ndi Umukama Imana yawe, yagukuye mu buja bw'igihugu ca Misiri » (Ihunguka 20, 2). Ayo majambo ni yo yugurura ya mabwirizwa cumi Musa yari yahawe kuri wa musozi wa Sinayi. Igihugu c'Israeli carategereye uko guhunguka Imana yavuga. Nkako,ubuja baciyemwo bwari bukiri mu bwenge bwabo.

Igihugu carahawe mu bugaragwa ayo mabwirizwa nk'inzira ibashikana ku mwidegemvyo. Tuyita « amabwirizwa » kugira ngo dushimangire inguvu Imana ikoresha mu rukundo rwayo mu ngendo yo kurera igihugu cayo.

Nkako, ni umuhamagaro ukomeye wo kutugira abidegemvya. Uwo nawo si uw'ikiringo kimwe, ahubwo uguma utamanzura uko bukeye uko bwije.

Nkuko Israeli ikiri mu bugaragwa yazigamye mu mushaha uko yabayeho mu Misiri, maze ikicuza kahise kayo igihe cose yibutse ko yidogeye Imana na Musa, ni nako n'uyu musi, igihugu c'Imana kigumana imizana gihamagariwe gucagagura no guheba.

Ni vyo twibonera iyo tubuze ukwizigira maze tukabaho nk'abari mu gahinga kanyaga na nde, katagira igihugu c'isezerano twese dutera tugana.

Ikarema ni igihe c'imigisha y'Umukama kiduha guhindura ubugaragwa, nkuko umuhanuzi Izaya yabivuze, bugacika ikibanza c'ugupfundika urukundo rwambere (raba Oze 2, 16-17). Imana irarera iguhugu cayo kugira kive mu buja maze cinjire mu buzima.

Soma ku Rup. 6

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Umugambi w'igihugu « Merankabandi » ugiye kuramira abakene ruhebwa



Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Umugambi «merankabandi» ugiye kuramira abakene ruhebwa........................................4
o Ntiturambirwe n'ugukora iciza ........................................7
o Kansere yo mu rwinjiriro rw'igitereko twoshobora kuyirinda ku bice 90%........................................9
o Uburenganzira bwo kubaho........................................10

# Idominika ya gatatu y'Ikarema: *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere: *Ihunguka : 17, 3-7*

Ivyo dusoma mu gitabu c'ihunga:

(*N'uduhe amazi yo kunywa*)

Muri irya minsi, Abanyislaeri bari bavuye mu Misiri iyo bari bagorewe, bagenda mu ntara Imana yari yabemereye, barongowe na Musa. Bashitse mu nzira, basanga nta mazi yo kunywa ariho, baja mu kwidodombera Musa bamubwira bati: "Mbe wadukuriye iki mu gihugu ca Misiri? Watuzanye aha ngo utwicishe inyota, twebwe, abana n'ibitungwa vyacu?" Musa na we atakambira Umukama ati: "Aba bantu bashaka kunyicisha amabuye ndabagire nte?" Umukama yishura Musa ati:"Genda imbere y'ishengero uri kumwe n'abashingantahe bakeyi b'abanyisrayeri, witwaze ya nkoni wakubitisha ca kiyaga. Nanje nzoba ndi kumwe nawe, kuri kirya gitandara c'ibuye, ku murambi wa Horebi. Urakubita ico gitandara, amazi azoca acuncubuka abantu baronke ico banywa." Musa agira gurtyo nyene imbere y'abashingantahe b'Israyeri. Aho hantu baciye bahita Masana Meriba, kubera impari z'abana b'Israeri bashaka kugerageza Umukama bibaza bati : «Ubwo koko Umukama ari kumwe natwe?»

## Igisomwa ca kabiri: *Abaroma. 5, 1-2.5-8*

Ivyo dusoma mw'ibaruwa umutumwa Paulo yandikiye Abanyaromani:

(*Urukundo rw'Imana rwashizwe mu mitima yacu na Mutima Mweranda twahawe*)

Ncuti zanje: None rero, ko ukwemera kwatugize intungane, urafise amahoro ku Mana kubw'Umukama wacu Yezu Kristu. Niwe yaduhaye ukwemera kudushikiriza rya soko ry'urukundo rudutembamwo; none turahimbawe kuko twizigiye ubuninahazwa bw'Imana. Na wo uwo mwizero ntudutetereza, kuko Mutima Mweranda twahawe yashize mu mitima yacu urukundo rw'Imana.
Igihe twari bantamagara, ubutigu bugeze niho Kristu yapfiriye abanyakabi. Burya umuntu w'intungane biragora kumupfira; umuntu w'inda nziza na we, kumbure hari uwokwubahuka kumupfira!
Ariko, icerekana urukundo Imana idukunda, ni uko Kristu yadupfiriye tukiri abanyabicumuro.

## Inkuru nziza : *Yoh. 4, 5-15.19b-26.39b.40-42*

**Urakaninahazwa, Kristu, Wewe Bwitonzi bwamaho bw'Imana nzima**

*Mukama, mu vyukuri uri Umukiza w'isi: ntabaza se ayo mazi mazima ashikana mu buzima budahera, simbe nkinyoterwa .*

**Urakaninahazwa, Kristu, Wewe Bwitonzi bwamaho bw'Imana nzima.**

Ivyo dusoma mu Njiri nyeranda yanditse Yohani:

(*Mukama, ntabaza ayo mazi simbe nkinyoterwa*)

Muri irya minsi, Yezu yashitse mu gisagara c'Isamariya citwa Sikar, hafi ya wa murima Yakobo yari yahaye umuhungu wiwe Yozefu; hagasangwa aho hari iriba rya Yakobo. Yezu aruhishijwe n'inzira, yicara iruhande y'iryo riba: hari nko kw'isaha ya gatandatu. Haza umunyasamariyakazi kuvoma amazi. Yezu aramubwira ati: "Mpase amazi yo kunywa."(Abigishwa biwe bari bagiye mu gisagara kugura ivyo kurya). Wa munyasamariyakazi aramubwira ati: Mbe wewe ko uri umuyahudi bishoboka gute ko unsaba amazi jewe umunyasamariyakazi?" (na kare, Abayahudi n'Abanyasamariya ntibagenderanira).
Yezu aramwishura ati: " iyo uba uzi ingabirano y'Imana, ukamenya n'uwari we akubariye ati: Mpase amazi yo kunywa, niwe ariho wari kuyamusaba, kandi yari kuguha amazi abeshaho."
Amubwira ati: Mukama, ntufise ico uvomesha, iriba na ryo ni rirerire, none ayo mazi abeshaho woyakura he? Ubaye uruta sogokuru wacu Yakobo yaduhaye iri riba, akaba yararinyoye we n'abana biwe n'amasho yiwe?" Yezu aramwishura ati: "Uwanyoye ayo mazi wese azosubira kunyoterwa, ariko uwuzonywa amazi nzomuha ntazosubira kunyoterwa na rimwe; amazi nzomuha azocika amazi y'isoko ry'amazi yirasira mu buzima budahera."
Wa mukenyezi aramubwira ati: "Mukama, ntabaza se ayo mazi, simbe nkinyoterwa, kandi sinze ngaruke hano kuvoma." Yongera ati: "Mukama, ndabona ko uri umuhanuzi! Ba sogokuru bacu bahora basengera kuri uyu musozi, namwe muvuga ngo i Yeruzalemu niho babwirizwa gusengera."
Yezu aramwishura ati: Wa mukenyezi we, ntega amatwi, igihe kirashitse aho mutazoba mugisengera Data kuri uyu musozi canke i Yeruzalemu. Mwebwe musenga ico mutazi, tweho dusenga ico tuzi, kuko ubukiriro buva kubayahudi. Ariko igihe kiraje, mbere kirageze, aho abasenga nya gusenga bazosengera Data mu mutima no mu kuri, kuko abasenga gurtyo aribo Data ashima.
Imana ni umutima ; abamusenga rero babwirizwa kumusenga mu mutima no mu kuri."
Nya mukenyezi amubwira ati: "Ndazi ko Mesiya, umwe bita Kristu, ategerezwa kuza. Ni yamara kuza azotubwira vyose ." Yezu amubwira ati: "Ndiwe nyene, jewe ndiko ndakuganiriza." Benshi mu Banyasamariya b'ico gisagara baciye bamwemera.
Aho Abanyasamariya bamariya kwiyizira iruhande yiwe, baramwinginga ngo agume iwabo; araheza ahamara iminsi ibiri. Noneho, abamwemera baca baragwira kuko biyumviye ijambo ryiwe ; maze, babwira wa mukenyezi bati : "Ubuho ivyo watubwiye sivyo bitumye twemera ; ubwacu twamwiyumviye, none twamenye ko mu vyukuri ariwe Mukiza w'isi."

# Ntiturambirwe n'ugukora ivyiza (Abanyagalati 6,9)

***Inyigisho y'Umwungere Mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura, kw'idominika ya gatatu y'ikarema, mu mw'iteguro w'indwi y'urukundo n'ugusabikanya.***

Basaserdoti b'Umukama, bihebeyimana, bakristu balayike, mwese muryango w'Imana;

1. Nimugire amahoro ya Kristu. Nk'uko tuvyumvise mu gisomwa ca mbere, Ijambo ry'Imana ritwibukije ya mabwirizwa Imana yaha igihugu cayo ku musozi wa Sinayi. Mu gihe ducagatije ca kiringo c'ikarema, iri Jambo ry'Imana rigarutse kuri ayo mabwirizwa, kuko ari yo adufaha guhinduka, kuva mu kabi, kugaruka mu bunywanyi bw'Imana ngo tubone rero kubana neza hagati yacu, nk'abana beza nyene bazi ko basangiye Umuvyeyi.

2. Ariko, kugira ngo ayo mabwirizwa adufashe kugaruka ku Mana, kunywana na Yo, kandi ntagume ari nk'imiziro gusa, ni vyiza ko twoza turazirikana icatumye Imana iyatanga.

Ni ho tumenya ingene tuyakira kandi tukayagendera. mu gisomwa ca mbere bagize bati: «ku musozi wa Sinayi, Imana yavumereye aya majambo yose, iti: Ni jewe Umukama Imana yawe, nagukuye mu ntara ya Misiri, ndakuvana mu Buja warimwo.

Nta zindi mana uzosenga atari jewe» (Ihunguka 20, 1-3). Imana ihejeje kuvuga ayo majambo, niho ica itanga amabwirizwa.

3. Kubona Imana yahaye igihugu cayo amabwirizwa ibanje kukibohoza, mu kukivana mu buja bwa Farawoni, bitwumvisha ko ayo mabwirizwa yabaye nk'ingabire imana ironkeje abayo, ngo ibafashe kuguma mu mwidegemvyo w'abana b'Imana, boye gusubira kugwa mu buja.

Kandi ubuja bwa mbere yabakuyemwo kwabaye ukubakiza kuguma basenga ibigirwamana vyinshi, kuko ivyo vyabatuma bagumana ubwoba ko bahava bagira ikigirwamana bibagira gusenga, kigaca kibagirira nabi!

Vyongeye, ugusenga ibigirwamana bitandukanye, umwe wese arondera gusenga icorusha ibindi ububasha bw'ukumuha umugisha n'ubwukumutikiriza abansi, vyabatuma batabana neza hagati yabo, bakaguma bikekana.

Ni co gituma ayo mabwirizwa y'Imana yabaremurura akabaha umwidegemvyo kuko yabumvisha ko bafise kandi babwirizwa gusenga Imana imwe gusa, yaberetse ko ari Yo Mushoboravyose ikaba na Mukundabose, kuko ari Mana-muvyeyi wa bose.

Aho rero niho natwe twoza turahera mu kuzirikana, kugira ngo turabe niba vyukuri amabwirizwa y'Imana tuyakira kandi tuyagendera nk'ayadufasha kugira umwidegemvywo w'abana b'Imana.

Kandi rero, amabwirizwa atatu ya mbere ni yo shingiro ry'ayandi. Atubwiriza gu-senga iyo Mana imwe gusa, akadusaba kutayibangikanya mu rukundo tuyifitiye.

Ni co gituma uwurenze ayo mabwirizwa atatu, n'ayandi yose aca amunanira, kuko asigara aganzwa n'ibigirwamana vyose.

4. Ico twomenya, ni uko ibigirwamana vyama ari bibi. Uwuvyirukiye bimugira umuja w'ikibi, bikamucanishamwo n'abandi.

Nk'uko ibigirwamana vya kera: nk'ugusenga kiranga, uguterekera imizimu n'ibindi, vyatuma abantu babaho mu bwoba, kandi bikabateranya, niko n'ibigirwamana vy'ubu: ivy'ugusenga amaronko,, gusenga ubukuru, gusenga ibiryoheramubiri n'ibindi, bitesha umutwe abantu bikabateranya, mbere bikanabatuma bicana.

Muca mwumva ko ukutubahiriza ya mabwirizwa atatu ya mbere bidusubiza mu buja bw'inzankano, bikatubuza kubana mu mahoro no mu rukundo.

5. Ni ivy'ukuri, uwikuye ku Mana y'ukuri ibohora, mu kutubahiriza ya mabwirizwa atatu ya mbere, asigara ari umuja w'ibigirwamana vyose. Na ya mabwirizwa yandi indwi: y'uguha icubahiro ubuzima bwawe n'ubw'abandi, kwisonera, gusonera abandi n'ivy'abandi, aca akunanira; kuko ntawiyubaha canke ngo yubahe abandi n'ivyabo, asigaye ari umuja w'inabi.
Umuntu iyo amaze gushika kuri urwo rugero, ntaba acisonera, nta gaciro aba agiha ikiremwamuntu, icibagiwe co ni ukugira urukundo rwitwararika abakene n'abagowe.

6. Muryango w'Imana, mukuduhimiriza ngo twame tugira «Indwi y'urukundo n'ugusabikanya «mu Karema,Abungere b'Ekleziya y'i Burundi bagomvye ko uyo mugirwa woduha akaryo ko kugaragaza mu bikorwa biboneka, ko twemera kandi dukunda Imana imwe, tuzi ko ari Umuvyeyi wa twese, igomba ko ata n'umwe yobura ikimutunga kandi bishobora kuboneka mu banyamuryango.

Umugambi w'ugushigikira ama Caritas, haba ku rwego rw'Ekleziya y'igihugu, ku rwego rwa diyoseze, ku rwego rwa paruwase canke ku rw'igisata, ni yo ntumbero ufise.

7. Erega Caritas si ishirahamwe ry'abagiraneza rishinzwe gutoza amahera! Ni umuryango w'abakristu batanga mu vyo Imana yabahezagije, babitumwe n'urukundo rushimikiye ku kwemera kwabo, ngo bayikengurukire mu gusangira n'aboro bose, badatoranije, kuko urukundo rw'abakristu rutagira imbibe.

Kuvuga ko ari umuryango w'abemera Kristu berekana urukundo rwiwe, bisigura ko ari igikorwa cega abakristu bose, muri ya mirwi itatu igize Ekleziyamuryango: Abasaserdoti, abihebeyimana n'abakristu balayike.

Bose barabwirijwe kwitangira ubwo butumwa n'ukugira ico batanze. Kandi nk'uko Papa Benedicto wa 16 yavyigishije,

Ibik. urup.7

# Umugambi w'igihugu « Merankabandi » ugiye kuramira abakene ruhebwa




Kuri uyu wa kabiri igenekerezo rya 20 Ruhuhuma 2024, mu nyubakwa z'ikigo citwa « Kiyago conference center» kiri ku murwa mukuru w'intara ya BUBANZA, harakoraniye inama yo kwugurura itangura ry'umugambi w'Igihugu witwa « MERANKABANDI ».

Iyo nama yuguruwe n'umujenema mukuru wa Buramatari w'intara ya BUBANZA (Chef de cabinet du Gouverneur), ari kumwe n'abaje baserukira uwo mugambi ku rwego rw'igihugu.

Abari bayitumiwemwo bari mu nzego zose z'ubuzima bw'intara ya BUBANZA harimwo n'abaserukira amadini n'a-mashengero.

Intumbero y'uwo mugambi "Merankabandi" ngo ni ugushigikira imiryango ikenye gusumba iyindi mu gihugu cose. Uyo mugambi ukaba uzokorera mu ntara 18 zigize igihugu cacu.

Ngo uwo mugambi wari umumaze gutangura mu ntara zine (Kirundo, Gitega, Karusi na Ruyigi), umukuru w'Igihugu abonye ivyiza vyawo yaciye ashima ko wokwira mu gihugu cose.

Mu gihugu cose rero uyo mugambi uzofasha imiryango ibihumbi ijana na mirongo ine na bitanu (145.000) bagabuye uku gukwirikira:

Imiryango 25.000 y'ababa mu bisagara

Imiryango 100.000 y'ababa mu gihugu hagati

Imiryango 8.000 y'ababa mu makambi y'impunzi;

Imiryango 12.000 y'ababa ku mitumba ikikuje amakambi y'impunzi

Iyo miryango bazoyifasha mu kuyiha amafranga ibihumbi mirongo indwi na bibiri (72.000fbu) inyuma y'amezi abiri abiri mu kiringo c'imyaka ibiri. Hambavu y'ayo, bazobaha kandi amahera angana n'amadorari amajana abiri ku muryango (200$) yo gukoramwo imigambi mito mito y'iterambere, ariko bazoyabaha mu marundi.

Ayo mafranga bazoyabaha atawundi muntu aciyeko kuko bazobagurira amaterefone yuguruyemwo umurongo wa Lumicash, bikazokorwa n'ishirahamwe bazoshinga ico gikorwa co kurungika ayo mahera muri abo ba ntahonikora.

Imbere y'ivyo vyose, kuri uyu wa 21 Ruhuhuma, abaserukira "Mera nk'abandi "ku rwego rw'igihugu, bashwaye amakomine yose y'intara ya BUBANZA uko ari atanu, kugira bashinge komite kuri buri mutumba izofasha gucagura abakwiye gufashwa bukuri ata manyanga arimwo.

Uwufashwa ategerezwa kuba akwije ibi bikwirikira: Kuba asanzwe aba kuri uyo mutumba nyene; Kuba ari umukene nyakuja; kuba afise ikarata karangamuntu; kuba mu bana afise harimwo uwutarakwiza imyaka itanu; kuba yarahungutse navyo bizoba akarusho.

Ubwo buryo buzofasha abo bantu ngo ni ibahasha ry'imiriyoni ibihumbi ijana na mirongo itanu (150million) ry'amadorari y'Abanyamerika ibanki y'isi yose yahaye Uburundi. Abajejwe uyo mugambi ku rwego rw'igihugu, baremeza ko ayo mahera bamaze kuyagaburira intara zose, ko atayizobura, canke ngo hagire iyimyiza ibamfu.

Amakomine agize intara ya Bubanza, yagiye amenye igitigiri c'imiryango izofashwa:

Bubanza : 1087,<br>
Gihanga : 811,<br>
Mpanda: 764,<br>
Musigati: 1066,<br>
Rugazi : 747.<br>
Bose hamwe mu ntara ya Bubanza hazofashwa imiryango 4475.

Ariko abarongoye ayo makomine bari ngaho bose, baridoze kubona ivyo bitigiri babiboneye ng'aho ko ngo batagishijwe inama. Bishuwe ko babikoze bafatiye ku biharuro vy'umurwi w'igihugu UGEBU.

**Emmanueli Havyarimana**<br>
**Bubanza**

Foto: Emmanuel Havyarimana



*Uhereye i bubamfu, ni Umuhanuzi wa Buramatari i Bubanza, Uwuri i buryo nawe ni uwaserukiye uwujejwe umugambi «Merankabandi» ku rwego rw'igihugu*

# Bubanza : Umusi mpuzamakungu wahariwe ubuzima bwihevyi

Kuri uyu w'Imana igenekerezo rya 4 Ruhuhuma 2024, mu ngoro y'Imana Katedrale Kristu Mwami i BUBANZA, niho hahimbarizwa umusi mukuru mpuzamakungu wahariwe « UBUZIMA BWIHEVYI » ku rwego rw'igihugu c'Uburundi. Inkuka y'imisa yatanguye igihe c'isaha zine irongowe na Musenyeri Joriji BIZIMANA asanzwe ahagarariye Papa muri Diyoseze Bubanza.

Ku bisanzwe uyo musi uhimbazwa igenekerezo rya 2 Ruhuhuma uko umwaka utashe, ariko kubera ko iryo gene-kerezo ryahuriranye n'imisi y'imirimo, baciye bawunguruririza ku musi w'Imana kugira uhimbarizwe mu Nkuka y'imisa yo ku w'Imana kugira bifashe abakristu benshi, vyongere bivyure mu rwaruka agatima ko kwihebera Imana.

Uyo musi wari witabwe n'abihebeyimana bo mu miryango itandukanye irangurira ubutumwa muri diyoseze Bubanza hamwe n'abaje baserukira abandi bavuye mu madiyoseze no mu miryango itandukanye irangurira ubutumwa mu Burundi.

Mu nsiguro y'uwo musi, Musenyeri Joriji BIZIMANA yagize ati : «Nk'uko aberanda Simeo na Anna bari basigaye ari abanyezamu b'isengero y'i Yeruzaremu, na mwebwe nico mutumiriwe, ni naco twese dutumiriwe.

Nimubagare inyota nyeranda yo kwibonera amaso mu yandi Umukama, aho niho mu-zonywana bunywane.

Kugira muri uyo mwiteguro ntimuhave muhura n'icobasamaza, canke ivyohava bibatera iyindi myitwarariko, mwaremeye muraragana muri Ekleziya ubugamburutsi, ubworo n'ubwerentegerwa, izo ndagano





uwihebeyimana agira, zama zimwibutsa ico yemeye kandi zikamufasha kwama agitumbera atabangikanije n'iyindi myitwarariko yohava imusamaza igatuma yibagira akaranga kiwe.

Indagano z'ubugamburutsi, ubworo n'ubwerentegerwa, zibafasha kuja mu ntumbero yo gukurikira akarorero Yezu yaduhaye mu kwigira umuntu, akagamburukira Se wiwe ku rugero rwuzuye, agashima kuvukira mu bworo, kandi asanzwe ari Umwami w'abami, Umwami w'Ijuru n'isi, akiyima n'ibinezero bisanzwe biranga ab'isi, akagendera muri ubwo bugamburutsi gushika naho yemera gupfira abacumuzi ku musaraba.

Indagano abihaye Imana bagira, zishingiye kuri ya nyigisho y'Ubwami bw'Ijuru Yezu Kristu yashikiriza ari ku mutumba, inyigisho itumirira kugira ingendo nshasha.

Ni naco gituma ukwihebera Imana ari ingabirano idasanzwe Imana yahaye Ekleziya.

Mwabihebeyimana mwe! Mwame mwibuka ko muri ingabirano nyeranda Imana yahaye Ekleziya.

Mwahereye ku rugendo mufise amatara yaka, ikimenyetso kiranga ico muhamagariwe kubera iyi si turiko: « kuyibera umuco ». Burya ahatari abihebeyimana, hari ikintu gikomeye baba babuze.

None rero turabahaye ikaze hano i BUBANZA, tukabashimira ko mwaduteye iteka, kugira ngo n'uru rwaruka rwaje rubihweze uko muri mu miryango itandukanye, ntihabura uwo Mutima Mweranda acako kugira ngo ubuzima bwiwe butore inzira.

Namwe bakristu mwese, mwame mukenguruka iyo ngabire y'abihebeyimana, cane cane mubasabire, mubafashe no gukomera kw'ibanga gutyo twese bitwugururire umuhezagiro, ico nico ndabasavye ku mwoshira ku muzirikanyi.

Umusi mukuru w'iherezwa ry'Umukama ni umusi wo kwihereza Imana. Twibuke kandi y'uko twese mw'ibatisimu twihereje, twaraherejwe aho twabatizwa tukiri bato, hanyuma kandi turavyemanga igihe twakomezwa muri Mutima Mweranda.

Dusabire rero ingo zose ngo zibe amayogi mazima avamwo abihebeyimana kugira umurima w'Umukama wame uronka abakozi nyabo, abakozi b'ibanga, tugire Kristu ! ».

Inkuka ya misa irangiye baciye bahurira mu kigo nshingwabutumwa ca di-yoseze BUBANZA, baraheza babandanya kwinovora ivyiza vy'Umukama gushika igihe c'isaha icumi z'umuhingamo.

**Emmanuel HAVYARIMANA**

# Mu bugaragwa, Imana iraducira inzira y'umwidegemvyo

*(Bitangurira ku rup.1)*

Nk'umucance, iratwigarukanira iwayo maze ikayagira umutima wacu amajambo y'urukundo.

2. Ukuva mu buja winjira mu mwidemvyo si inzira iri mu kirere. Kugira ngo Ikarema yacu na yo ironke uburiba, ingendo yambere ibereye ni ukwemera kwihweza ibintu uko biri.

Igihe, muri ca gisaka casha kidatokombera, Umukama yahamagara Musa akamuyagira, yamwihishutse ubwo nyene nk'Imana ibona kandi yumva : « Narabonye amagorwa y'igihugu canje kiri mu Misiri, kandi naracumvise gikoma induru imbere y'abagikoresha.

Ni vyo, ndazi ububabare bwabo. Namanutse ngo ndabakure mu vyara vy'Abanyamisiri, ndabavane muri ico gihugu, ndabadugane mu gihugu ciza kandi cagutse, mu gihugu gitembamwo amata n'ubuki » (Ihunguka 3, 7-8).

N'uyu musi nyene, amaborogo y'abavukanyi bacu bahahazwa arashikira Imana. None twibaze ikibazo: Mbe ayo maborogo aradushikira? Araduhungabanya? Hari ico atubwira? Haracariho vyinshi bidutandukanya hagati yacu, bigafutanya umuvukano wacu wahora udufatanya hamwe n'abandi.

3. Aho mperuka kugendera igisagara c'i Lampeduza, naratereye ibibazo bibiri iyi ngendo y'ubu ikwiye kw'isi yose ishaka ko umuntu aba nyamwigendako : Nagize nti: "Mbega uri he"? (Amamuko 3, 9), "Umuvukanyi wawe ari he"? (Amamuko 4, 9).

Urugendo rwacu muri iyi karema ruzotubera ingirakamaro, nitwemera gusubira kwumviriza, tugatega amatwi ivyo bibazo, maze bikaduha gutegera yuko natwe tugifise imizana y'ubuja bwa Farawoni. Ubwo buja buraturuhisha bukanadutimbisha. Ni ingendo, aho kudukuza, iducanishamwo igatako ikatwaka n'umwizero wacu.

Isi, impwemu n'amazi vyaramaze gutosekara, bidasize inyuma imishaha yacu. Nkako, naho ukwidegemvya kwacu kwatanguriye mw'ibatisimu, haguma muri twebwe impengamiro igoye gusigura ituroresha ku buja.

Womengo dukwegakwerwa no kurondera guhungira mu mutekano w'ivyo twamyemwo kuva na kera, ari nako bidutosekariza umwidegemvyo.

4. Nashaka nshimike ku kantu gitoyi tutokwirengangiza dusanga mu gisomwa co mu gitabu c'Ihunguka : Ni Imana ibona, ikababara, ikabohora, si igihugu c'Israeli kibisaba.

Faraoni wewe ntashaka n'ukuvyumva kuko agomba ko yoba ari we nyen'ijuru, akiyerekana nkuko adashaka ko hari icohinduka, aho agateka katubahirizwa, aho imigenderanire myiza idahabwa ikibanza ngo ikurikizwe.

Muri make nawe nyene aguma yiboshe.Twibaze ikibazo :Ubwo ndipfuza isi nshasha ? Ubwo ndumva niteguriye kwimatura ku vyakera ? Intahe y'abavukanyi banje b'Abepiskopi batari bake n'abantu benshi baharanira ubutungane n'amahoro vyaramfashije gutegera ko ntegerezwa kumenyesha ko hakibuze ukwizigira.

Ni intambamyi ibohera imugongo indoto, ni akamo katumvikana ariko gashikira ijuru kagakora ku mutima w'Imana, kakagereranywa n'ukwicuza ubuja bwaboshe Abanyisraeli igihe bari mu bugaragwa bukababuza kubandanya urugendo.

Ihunguka rirashobora guhera. Nkako, ntawoshobora gusigura ingene isi iriko irashika ku rugero rw'aho abantu baharanira umuvukano wa bose no ku ntambwe ishimishije y'iterambere mu mpande nyinshi, ariko abantu bagashishikara bajuragirika nk'abari mu muzimagiza w'ubusumbasumbane bujana n'amatati.

5. Imana ntiyigera iturambirwa.Twakire iki gihe c'Ikarema, nk'igihe nyaco, kiroranye c'aho Ijambo ry'Imana risubira kutwakura : « Ni jewe Umukama Imana yawe, nagukuye mu gihugu ca Misiri , mu nzu y'ubuja » (Ihunguka 20,2).Ni igihe c'uguhinduka, igihe c'umwidegemvyo.

Yezu, we nyene ubwiwe, nkuko twama tuvyiyibutsa uko umwaka utashe, ku musi w'Imana wa mbere w'igihe c'Ikarema, Mutima yaramujanye mu gahinga kugira ageragezwe ata gahato. Mu misi mirongo ine yose azokwama imbere yacu kumwe natwe. Ni umwana w'Imana yigize umuntu.

Imana yacu iratandukanye na Faraoni, kuko ntishaka abaja, ishaka abana bo mu nzu. Ubugaragwa kuri twebwe, ni ikibanza c'aho umwidegemvyo wacu ushobora gukura ugatera imbere, mu kwifatira ingingo nziza y'ukudasubira mu buja.

6. Mu gihe c'Ikarema turaharonkera umuco mushasha udufasha guhwebuza neza hamwe n'umubano dusangira urugendo mu nzira nshasha tutari bwigere tugenderemwo. Ivyose bitwinjiza mu rugamba. Turabibona neza mu gitabu c'ihunguka no mu vyo Yezu yaciyemwo aho yari mu bugaragwa.

Mw'ijwi ry'Imana rivuga riti : "Uri umwana wanje nkunda cane, muri wewe nahasanze ibimpimbara vyose"(Mariko1,11) no mu gitabu c'Ihunguka kivuga ngo "Nta zindi mana uzombangikanya»

*Ibik. urup.8*

# Ntiturambirwe n'ugukora ivyiza *(Abanyagalati 6,9)*

*(Bitangurira ku rup.3)*

ni ubutumwa ngombwa ata wundi twobusiganya.

Agira ati: «Abakristu bose barafise uburenganzira kandi barategerejwe kwitanga mu gushira mu ngiro rya bwirizwa rishasha ry'urukundo Yezu yaturaga» (Intima Ecclesiae Natura 01).

8. Bakunzi b'Imana, ka Mwungere Mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura, ndahimbawe n'uko muri diyoseze nkuru yacu, ico gikorwa ciza c'indwi y'urukundo», mwaciye mugitahura kandi mukirangura neza.

Ndavye ingene amaparuwase acitangira, ndabona ko atawusiganya uwundi mu gutanga. Ku bw'ukwemera kwanyu, abafise baravyerekana, bagatanga bataderenganya nk'abikurayo.

Eka n'abafise amikoro make, ntibatangwa mu gutanga ico bashobora kuronka. kandi, nta nkeka ko n'amashikanwa yabo, uko angana kwose, anezera Kristu, nka kumwe yanezerezwa na rya shikanwa ry'umupfakazi w'umworo, kuko «yakoze mu bworo bwiwe, atanga ivyo yari afise vyose» (raba Luka 21,4).

9. Bakristu dusangiye umuryango, kugira ngo tube dushitse kuri urwo rugezo rushimishije, ntivyizanye. ni co gituma nshimiye cane abarangura ubwo butumwa bw'urukundo mu gisata ca Caritas : Abasaserdoti, abihebeyimana, abakristu balayike, ku ruhara bagize mu kwigisha ivya Caritas no mu gutanga akarorero keza k'ukwitanga batiziganya. Ndabashimiye rero mwebwe mwese murangura ubwo butumwa bwa Caritas: haba ku rwego rwa Diyoseze, kurw'amaparuwase no mu bindi bibanza vyo gusengeramwo.

Ni mwebwe batumwa mujejwe' gufasha abandi bakristu gutahura uruhara rwabo, mu kugira ama Caritas yerekanaho ukwemera kw'umuryango kugeze. Burya n'aho tworangura imigambi myinshi ngo ni iy'iterambere, habuzemwo uwo mugambi werekana urukundo rwitanga rutarondera inyungu, twohava dusanga ata kinini dutandukaniyeko n'abapagani (raba Matayo 6).

10. Bavandimwe, kubera iyo ntambwe nziza tugezeko hano iwacu, muri iyi myaka itatu iheze, amaturo yanyu yaratumye hari bishasha vyingirakamaro turangura ku rwego rwa Diyoseze.

Nk'akarorero, mu guhimbaza wa musi mpuzamakungu wahariwe abarwaye (muri Ruhuhuma) na wa musi mpuzamakungu w'aboro(muri Munyonyo), twarashoboye kuza turatunganya ibikorwa vyo kuyitegurira birimwo inyigisho, uguha akaryo ba ntahonikorwa k'ukwisuzumisha kwa muganga ku buntu, no kubavuza mu bishoboka.

Mboneyeho akaryo keza ko gushimira abitangira ico gikora na cane cane abaganga bacu, babigira ku buntu babitumwe n'ubukristu bwabo.

Aho ico gikorwa kimaze kuringanizwa, abantu barenga igihumbi barabonanye n'abaganga, muri bo, abashika amajana atatu bakaba baravuwe baranakira, baba abavuriwe aho nyene canke abavuriwe mu bindi bitaro, na cane cane mu bitaro vyo mw'Ijenda dukengurukira cane.

Kugira ngo dushobore kubandanya duteza imbere mwen'ivyo bikorwa, kuko ababikeneye ari benshi, turabateye akamo ngo mwitange gusumba kandi murushirizeho n'ugutanga. Kubera ko uburyo bukiri buke, tuza turakuranya amaparuwase aramukirwa kutwereka aboro n'abarwaye babikeneye.

11. Muti: none mu gukora ivyo vyose dusha twokora iki? Hari ababona ko iki gikorwa c'ukwegeranya uburyo bukazofasha abo tutazi, batazoshobora n'ukutubwira bati: «murakoze», bisa n'ukuruhira ubusa, kuko tuba dukoze ico tutashobora gukamisha.

Ariko, ni co gikorwa nyaco c'ukwemera, kuko ari igikorwa c'urukundo rutorandera inyungu yo kw'isi. Imana, Yo ibona vyose, iraheza ikamenya ingene idushimira. Abanditsi beranda baratumara amazinda. Igihe ishengero ryaza kubaza Yohani Batista ico ryokora ngo ryerekana umutima wo guhinduka, yishuye ati: «Uwufise imyambaro ibiri nahe umwe uwutawufise; n'uwufise kandi ibiribwa, agenze artyo » (Luka 3, 11).

Na Yezu we nyene ubwiwe yarashimitse kuri iyo nyigisho y'ukwitwararikana mu gufashanya mu biboneka, nko muri wa mugani w'umunyasamariya w'ikigongwe, uno yaciye akora mu mupfuko wiwe, aratanga, ngo afashe. Kandi mu kwemera kwacu, ugufasha gurtyo, Imana ica ikubona.

Mu gitabu c'imigani dusoma ngo: «uwugirira impuhwe umurushwa aba aguranye Umukama, ka-ndi iciza ciwe azokimuhembera» (Imigani 19,17).

Vyongeye, no ku musi w'imperuka Imana izoduhemba canke iduhane bivanye n'ingene tuzoba twaranzwe n'urukundo, mu kumenya kuyifasha mu bakene n'abagowe (raba Matayo 25, 31-46).

12. Bakristu mwese ba Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, imbere y'ukurangiza, munkundire ncishemwo ndabakengurukire n'umutima wanje wose, ku kamo naheruka kubatera mukakitabana umutima mwiza. Kerekeye imfashanyo y'ukurungikira abagowe kubera intambara iri aha hakurya muri Congo.

Naho ako kamo kaje giturumbuka, mwarakitavye neza, n'ukuvuga nk'amadolari ibihumbi cumi. Twaciye tuyegeranya, maze aho mperuka i Goma,

nca ndayashikiriza Umwepiskopi Mukuru wa Bukavu araba kariya karere, ngo aze ayaronse diyoseze abona irimwo abagowe kuruta izindi.

Yarantumye kubakengurukira rwose kandi ngo

*Ibik. urup.9*

# Mu bugaragwa, Imana iraducira inzira y'umwidegemvyo

*(Bitangurira ku rup.6)*

(Ihunguka 20,3) ni ho hasambukira imitego yose y'ububeshi bw'umwansi Sekibi. Ibigirwamana biteye ubwoba gusumba Faraoni kuko twoshobora kubigereranya nk'ijwi ryiwe muri twebwe.

Nkako, ugushobora gukora vyose, ukurondera kumenyekana n'ukwemerwa na bose, ukuba urengeye vyose ni yo mpengamiro iroresha ku kinyoma iri muri zina muntu wese. Ni akamenyero ka kera.

Turashobora kwihambirira ku mafaranga, ku migambi imwe imwe, ku vyiyumviro, ku nyungu z'ivyo dushaka gushikako, ku mpengamiro zacu, ku migenzo yacu no ku bantu. Ivyo rero aho kuduteza imbere biratumugaza; aho kuduhuza n'abandi bigatuma dutandukana.

Yamara, hariho uwundi mutigiri mushasha w'a-bantu bataheranywe n'urwo ruhendo rwa Sekibi, ni abantu bato bato n'abicisha bugufi. Mu gihe ibigirwamana bikongataza bene vyo bikabagira ibiragi, impumyi n'ibitumva, abafise umutima ushima ubworo bobo barangwa n'umutima wagutse kandi bama bagavye maze inguvu zabo zigakiza, zigashigikira isi.

7. Harageze kuva hasi tugakora, kuko igihe c'ikarema ni igihe co gukora no kumenya guhagarara kugira ngo dusenge, twakire Ijambo ry'Imana; ni igihe co guhagarara nka wa munyasamariya imbere y'umuvukanyi yakomeretse.Urukundo rw'Imana ruratuvukanisha rukatugira umwe.

Ukutagira izindi mana, ni uguhagarara imbere y'Imana y'ukuri n'imbere y'umugenzi. Nico gituma igisabisho, ugusabikanya n'ukwibabaza si imyimenyerezo itatu yirebanga ariko ni ingendo imwe yo kwiyugururura no kubohoka tukavavanura n'ibigirwamana vyahora bidukandamiza hamwe n'ivyo vyose vyahora bituboha.

Ico gihe rero, umutima wafutanye kandi wahora wirebanga uzokwikangura kuko twemeye kugenda bukebuke, tukemera mbere no guhagarara. Bizoduha kwihweza dutangarira ubuzima maze Ikarema idufashe kuharonkera inkomezi zisumbirije.

Imbere y'Imana ducika abavukanyi, tukabarabisha amaso mashasha; ntituba tukibabonamwo abansi batugeramiye ahubwo tubabonamwo abavukanyi dufatanije akayira. Uyo ni wo mugambi w'Imana, ni yo ya ntara y'Imana twemerewe kandi tugenda tugana tuvuye mu bushumba

8. Ingendo y'Inama nsangizangendo turimwo muri ino myaka, irerekana ko Ikarema ari umwanya w'ingingo zipfundikirwa mu mibano, zaba ntoyi canke izihambaye.

Uko zakabaye zose zitegerezwa kudufasha guhindura ubuzima bwa misi yose bw'abantu n'ubw'aho babaye haba uko twahora dusuma ngo twibesheho, uko twitwararika ibiremwa hamwe n'uwakumiriwe canke birenzwamaso.

Ndatumiriye umubano wose w'abakristu kuvyitwararika mu guha umwanya abakristu kugira biyumvire kandi barimbure ingene babayeho; ni bamenye kwironderea umwanya wo kwitaho abandi mu kibano no kuronderera hamwe ihumbi ryubaka, rikaryohora umubano.

Vyoba bibabaje mu gihe tuguye muri ya ngendo y'ukwibabaza yashavuje Yezu maze akagabisha agira ati: "kandi iyo mwisonzesheje, ntimwijirwe nkuko indyarya zibigira kuko biyoberanya mu maso ngo babonwe n'abantu"(Matayo 6, 16).

Abantu nimubahe nyabuna kubona akanyamuneza kanyu, bamoterwe n'akamoto k'umwidegemvyo wanyu, musayangane urwo u-rukundo rugira vyose bishasha mu guhera kuri bitoboto no ku bitwegereye. Ivyo birashobora kurangukira mu mubano wose w'abakristu.

9. Mu gihe iyi karema yotubera umwanya mwiza w'ukwisubirako, abari bazimiye bazokwikubita agashi maze bashikire umwizero mushasha. Nipfuje kubabwira, nk'uko nabibwiye urwaruka twari kumwe mu ci riheze i Lisbone nti: "Rondera mudatinya, rondera mudatinya." Mu gihe ca none, amananiza ni menshi, intambamyi ni nyinshi.

Turabona ingwano ya gatatu y'isi yose irimwo imice myinshi. Yamara ntitwiyumvire ko turi ku mpfiro ariko tumeze nk'umugore ari ku mbanyi; ntituri ku muhero w'isi ahubwo turi mu ntango y'ibindi vyiza bisumbirije.

Ukwiyumvira gutyo bisaba ubutwari bwinshi" (Ihwaniro ry'urwaruka bo mu makaminuza, 3 myandagaro 2023). Ubwo ni ubutwari bwo guhinduka no kubohoka tuva mu buja. Ukwemera n'urukundo ni vyo bishigikiye uwo mwizero kandi birawufasha gutambuka, nawo ukabiha gukomera.

Ndabahezagiye mwese ndabifuriza urugendo rwiza rw'Ikarema.

Bigiriwe i Roma ku wa 3 Kigarama 2023,

Uwimana wambere w'Ubushikiro.

PAPA FRANSISKO

***Inyigisho yahinduwe mu kirundi n'Igisata** kijejwe Ubutumwa n'Inyigisho ndoramana*

## Kansere yo mu rwinjiriro rw'igitereko twoshobora kuyirinda ku bice 90%

Ku wa 27 Ruhuhuma 2024 ku kigo ca ANSS i Bujumbura, ishirahamwe ANSS Santé plus hamwe n'amashirahamwe bafashanya baratanguje icese isekeza ryo gupima kansere yo mu rwinjiriro rw'igitereko ku bakenyezi n'abigeme.

Mw'ijambo ry'umupfasoni Jeanne Gapiya yatanguje ishirahamwe ANSS ryishinze gushigikira abagendana umugera wa Sida hamwe n'abarwaye biturutse kuri uwo mugera, yamenyesheje ko kansere yo mu rwinjiriro rw'igitereko (Cancer du col de l'uterus) iri mu bwoko bw'amakansere arwiriye kw'isi.

Mu mwaka w'2020, abantu 604 000 baratowe iyo kansere. Abapfasoni 342 000 baritavye Imana biturutse kuri iyo ndwara. Muri bo, ibice birenga 90% ngo bari abo mu bihugu bitaratera imbere, n'Uburundi burimwo.

Nk'uko ivyigwa vy'ubuhinga bivyerekana, abakenyezi bagendana umugera wa Sida ngo barabangamirwa cane n'iyo ndwara ya kansere yo mu rwinjiriro rw'igitereko ku ncuro zitandatu ugereranije n'abakenyezi batagendana uwo mugera.

**Twokwirinda gute iyo kansere?**

Mu Burundi, kansere yo mu rwinjiriro rw'igitereko ngo niyo iza kw'isonga mu makansere afata abapfasoni ikaba ari nayo ya mbere ituma impfu nyinshi. Iyo kansere ngo iterwa n'umugera HPV uhanwahanwa cane cane mu gihe c'amabanga mpuzabitsina. Abakenyezi barenga ibice 80% ngo n'imiburiburi urabafata rimwe mu buzima bwabo.

Iyo uwo mugera umaze igihe kinini mu ruziri rwo mu rwinjiriro rw'igitereko ku mupfasoni canke ku mwigeme, kenshi ngo biviramwo kansere.

Naho iyo kansere iri mu bwoko bw'amakansere asasika inganda cane ngaha mu Burundi, ngo ni ubwoko bumwe bwonyene bwa kansere ishobora kuvugwa kandi igakira neza iyo yamenyekanye hakiri kare. Ubushakashatsi mu gisata c'amagara y'abantu bwaratoye urukingo (Vaccin) ruhabwa abigeme bari hagati y'imyaka 9 na 14. Ariko urwo rukingo ngo ntirukinga iyo ndwara ibice 100%.

Nico gituma umupfasoni Jeanne Gapiya ahamagarira abakenyezi bose muri rusangi ariko cane cane abagendana umugera wa Sida kwipimisha hakiri kare kugirango abasanze baranduye iyo kansere bashirwe ku miti hakiri kare.

Uno mwaka, isekeza ryo gupima iyo kansere rizoba kuva ku wa 27 Ruhuhuma gushika ku wa 7 Ntwarante mu bibanza 12 bikwiragiye mu gihugu cose.

Ivyo bibanza ni:
1. Mu kigo TURIHO gikukira ishirahamwe INSS Santé plus;
2. Mu kigo gikukura INSS Santé plus c'i Gitega;
3. Mu kigo gikukira INSS Santé plus c'i Makamba;
4. Mu kigo gikukira INSS Santé plus co mu Rumonge;
5. Mu bitaro Roi Khaled vyo mu kamenge;
6. Mu bitaro vyo mu Gihofi;
7. Mu bitaro vyo mu Kayanza;
8. Mu bitaro vyo'i Ngozi;
9. Mu bitaro vy'i Muyinga
10. Mu bitaro vy'i Gitega
11. Mu bitaro vy'i Muyinga;
12. Mu bitaro vyo mu Ruyigi.

Tubamenyeshe ko mw'isekeza ryo mu 2023, abakenyezi 263 barapimwe iyo kansere. Abashika 9 basanze bayirwaye. Ibipimo vy'abashika 21 navyo birasubirwamwo kuko vyiketsweko harimwo ibimenyesto vya kansere. Abakenyezi bafise hagati y'imyaka 25 na 30, ngo bokwimisha rimwe mu myaka3 na 1 mu myaka 5 ku barenza imyaka 30.

***Mélance NDAYIKEZE***

## Ntiturambirwe n'ugukora ivyiza *(Abanyagalati 6,9)*

*(Bitangurira ku rup.7)*

arabipfurije kubandanya muhezagirwa n'Imana. None rero no hanyuma murahore murtyo, umwe wese yame atangana umutima mwiza, akura mu vyo Imana yamuhezagije.

13. Mu kurangiza, ndabatumiriye mwese: abasaserdoti, abihebeyimana n'abakristu balayike, kurushirizaho kuza muritabira neza indwi y'urukundo, muhereye kuri iyi y'i ya 2024 dutanguye guhimbaza uyu musi. Intambwe tugezeko irashimishije, ariko kandi twongere gutera izindi ntambwe, kugira ngo ubutumwa bwacu bushobore gushikira benshi gusumba.

Nk'uko na Paulo Mweranda yabihanuye abanyagalati ati : «Ntiturambirwe n'ugukora ivyiza. Igihe kigeze tuzokwimbura nitutatezura. Umwanya tugifise uburyo, nitugirire neza bose » (Abanyagalati 6, 9-10).

Ariko i ruhande y'ico gikorwa rusangi, ntimwibagire kuza murafasha mu mibano yanyu ya misi yose, kuko ubukristu nyabwo ni ububonekera mu buzima bwa misi yose, aho tugendera n'aho turangurira imirimo.

Mboneyeho kubifuriza mwese kubandanya mugira ibihe vyiza vy'Ikarema, muze mushike kw'ipasika y'Umukama mwumva ko mwese mwavuye mu vyo mwahoramwo vyoba bisa n'ubuja, mwumve ko mwabaye koko ibiremwa bishasha, vyubaha bikubahiriza amabwirizwa y'Imana yose, bikarangwa n'urukundo rwa Kristu yadukunze gushika atwihebere.

14. Imana nibandanye ibampezagirira mwese, maze Bikira Mariya we muvyeyi w'urukundo n'ikigongwe, adufashe twese gutera imbere mu rukundo rwitwararikana.

*Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 12 Ruhuhuma 2024.*

*Gerevazi Banshimiyubusa, Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura.*

# Uburenganzira bwo kubaho

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kubaho. Ubu burenganzira ni bwo shingiro ry'ubundi bwose kuko n'ubundi burenganzira bwubahirizwa iyo umuntu ari muzima.

Ukubaho ni uburenganzira ntakorwako budashobora gushingirwa akarimbi no mu gihe igihugu coba kiri mu bihe vy'intambara. Nta na kimwe gishobora gusigura izimanganywa ry'ubuzima bwa zina kiremwa muntu.

Umuntu yagiriwe n'ukuzimanganya ubuzima bwa kiremwa muntu arahanwa nk'uko amategeko mpanavyaha abitegekanya.

Uburenganzira bwo kubaho burakingiwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'Igihugu c'Uburundi.

*1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ubwo burenganzira.*

Uburenganzira bwo kubaho tubusanga mu mategeko mpuzamakungu atandukanye : itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu; amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu, mu masezerano yerekeye guhanagura igihano co gupfa yunganira amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu, amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana hamwe n'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

a) Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kubaho. Tubisanga mu ngingo ya 3 ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kubaho, bwo kwishira akizana no gukingirwa mu buzima bwiwe.

b) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu

Uburenganzira bwo kubaho ni uburenganzira ntakorwako buguma bwubahirijwe naho igihugu kiba kiri mu ntambara.

Tubisanga mu ngingo ya 4 mu gace kayo ka 2 aho ivuga ko ata ngingo n'imwe igihugu cemerewe gufata mu gihe yotuma ubuzima bw'umuntu buzimangana.

Uburenganzira bwo kubaho butegerezwa gukingirwa n'amategeko kandi ni ubw'abantu bose. Bitegekanijwe n'ingingo ya 6 mu gace ka mbere. Nta muntu n'umwe akwiye kuzimanganirizwa ubuzima.

Iyi ngingo ibandanya yerekana ko no mu bihugu igihano co gupfa kitarakurwaho, ingingo yo guhanishwa igihano co gupfa irafise aho igarukira mu ntumbero yo gukingira uburenganzira bwo kubaho.

Tubisanga mu gace kayo ka 5 kavuga ko abantu batarakwiza imyaka 18 badashobora gucirwa urubanza rwo gupfa canke ngo abakenyezi bibungenze bahanishwe ico gihano.

c) Mu masezerano yerekeye guhanagura igihano co gupfa yunganira amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu.

Ibihugu vyashize umukono ku masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'-igihugu bitegerezwa guhanagura igihano co gupfa mu mategeko mpanavyaha yavyo.

Tubisanga mu ngingo ya 1 ivuga ko ata muntu akomoka mu gihugu cashize umukono kuri aya masezerano ashobora kwicwa hakurikijwe igihano co gupfa caciwe na sentare.

Igihugu gitegerezwa guhanagura igihano co gupfa mw'itegeko mpanavyaha ryaco.

d) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana.

Umwana na we nyene arafise uburenganzira bwo kubaho. Tubisanga mu ngingo ya 6 mu gace kayo ka mbere aho ivuga ko umwana wese afise uburenganzira bwo kubaho.

e) Mu masezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu

Nta muntu n'umwe akwiye kuzimanganirizwa ubuzima. Bitegekanijwe n'ingingo ya 4 yo ivuga ko ubuzima bwa kiremwa muntu ari ntakorwako. Ubuzima bwa muntu butegerezwa kubahirizwa kandi nta muntu n'umwe arekuriwe kubuzimanganya.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu atandukanye arubahiriza uburenganzira bwo kubaho.

Ubwo burenganzira butegerezwa kwubahirizwa kuri zina kiremwa muntu wese yaba umwana canke uwukuze. N'amategeko y'i-gihugu c'Uburundi ni uko nyene.

*2. Ingene amategeko y'Igihugu ategekanya ubwo burenganzira.*

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo kubaho

(Bitangurira ku rup.10)

Uburenganzira bwo kubaho burakingiwe n'amategeko y'Uburundi kandi uwutabwubahirije arahanwa nk'uko igitabu c'amategeko mpanavyaha kibitegekanya. Mu mategeko y'igihugu, tuja kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro hamwe n'ibiri mu gitabu c'amategeko mpanavyaha.

a) Mw'Ibwirizwa Shingiro

Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashize ko umukono harimwo itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye itunganywa ry'ubuzima bw'igihugu, amasezerano yerekeye agateka k'abana hamwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

Uburenganzira bwo kubaho ni bwo shimikiro ry'ubundi burenganzira. Umuntu agira ivyo akeneye kubera ariho.

Ni yo mpamvu n'Ibwirizwa Shingiro ritegekanya mu ngingo ya 24 ibi bikurikira: "Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kubaho".

Mu ntumbero yo gushimangira uburenganzira bwo kubaho, igihano co gupfa carafuswe kuva mu mwaka w'2009 mw'ibwirizwa inomero 1/05 ryo ku wa 22 ndamukiza 2009 rihindura igitabu c'amategeko mpanavyaha co mu mwaka w'1981.

b) Mu gitabu c'amategeko mpanavyaha

Naho hariho amategeko mpuzamakungu n'ay'igihugu atandukanye yubahiriza ubuzima bwa kiremwa muntu, birashika ko uburenganzira bwo kubaho buhonyangwa bivuye ku mvo zitandukanye.

Ni co gituma igitabu c'amategeko mpanavyaha gitegekanya ibihano kuri uwo wese yagiriwe n'icaha co kuzimanganya ubuzi-ma bw'umuntu. Ingingo zitandukanye zirategekanya ibihano bivanye n'ingene icaha cakozwe.

Mu gihe ubuzima bwa kiremwa muntu buzimanganijwe biciye ku bwicanyi bw'ihonyabwoko, ivyaha vy'agahomera bunwa canke ivyaha vyo mu ntambara, abagiriwe n'ivyo vyaha bahanishwa umunyororo wo gupfungwa ubuzima bwabo bwose.

Tubisanga mu ngingo za 202 gushika ku ya 205 zivuga ko umuntu yateguye canke umugwi w'abantu wateguye ivyo vyaha twadondaguye, ababishize mu ngiro, abahimirije abantu ku mugaragaro ngo bikorwe bahanishwa umunyororo wo gupfungwa ubuzima bwabo bwose.

Abagiriwe n'ivyo vyaha duhejeje kuvuga ntibashobora kurekurwa i-vy'agateganyo, kuba mu mirwi ironswa ikigongwe c'ikivunga, kugirirwa ikigongwe n'umukuru w'igihugu kandi urubanza rw'ivyo vyaha bakoze ntiruta igihe co gukurikiranwa naho uwukurikiranwa yomara igihe kinini ubutungane butaramuronka.

N'ibihano ntibita igihe co gushirwa mu ngiro n'aho hohera imyaka myinshi uwahanywe ataraboneka.

Uwagiriwe no kwica umuntu abanje ku musinzikariza ubuzima na we nyene ahanishwa umunyororo wo gupfungwa ubuzima bwose nk'uko ingingo ya 209 ibitegekanya.

Uwagiriwe no kwica abavyeyi biwe canke umuntu basangiye amaraso na we nyene arahanwa.

Bitegekanijwe n'ingingo ya 214 ivuga ko uwagiriwe n'icaha co kwica se wiwe, nyina wiwe canke abandi basangiye amaraso canke akica umuntu uwariwe wese ahanishwa umunyororo wo gupfungwa ubuzima bwiwe bwose.

Amategeko y'Uburundi arakingira ubuzima bwa muntu naho yoba akiri mu mbanyi.

Ingingo ya 533 ivuga ko umukenyezi canke umwigeme akoroje inda n'impaka ahanishwa umunyororo uva ku mwaka umwe gushika ku myaka ibiri n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi mirongo ibiri gushika ku bihumbi mirongo itanu.

Ariko rero hari igihe ibi bihano duhejeje kuvuga bidashirwa mu ngiro iyo inda yakorowe mu ntumbero yo kurokora ubuzima bwa nyina w'umwana.

Tubisanga mu ngingo ya 534 ivuga ko ibihano bitegekanijwe bidashobora gushirwa mu ngiro mu gihe ingingo yo guhagarika imbanyi yafashwe n'abaganga babiri babifitiye ububasha mu ntumbero yo kurokora ubuzima bw'umuvyeyi kandi uwibungenze yavyemeye biciye mu rwandiko.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko kubaho ari bwo burenganzira bwa mbere kuri zina kiremwa muntu. Nta gihugu gishobora gufata ingingo zo kubuhagarika canke kubushingira akarimbi n'aho coba kiri mu bihe vy'intambara.

Twabonye kandi ko igihano co gupfa cakuweho mu gihugu cacu. No mu bihugu ico gihano kitarakurwaho, abantu batarakwiza imyaka 18 ntibashobora gucirirwa urubanza rwo gupfa canke ngo abakenyezi bibungenze bahanishwe ico igihano.

Nta na kimwe gishobora gusigura izimanganywa ry'ubuzima bwa zina kiremwa muntu.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# 2025 umwaka mweranda muri Ekleziya Katolika

***« Ni mube ingenzi z'umwizero »***

Kuva mu mwaka wi 1300 papa Boniface w'8 yarashinze umwaka mweranda bahimbaza muri Ekleziya uko imyaka ijana iheze. Papa Clementi wa 6 awushira ku myaka 50, Papa Nicolas wa 5 awushira ku myaka 25.

Mu mwaka wi 1470 Papa Pawulo wa 2 ashinga ubutagihinduka iyo myaka 25 kugira afashe umuntu wese gushobora kugira amahirwe yo kuwuhimbaza.

Igihugu c'Imana kigahimbaza uwo mwaka mweranda nk'ingabire y'Imana irangwa n'ikigongwe c'ibicumuro vyacu na canecane ingabire y'induljensiya igaragaza ikigongwe c'Imana.

Mu gihe twimirije guhimbaza uwo mwaka mweranda wa 2025, turahamagariwe kwinjira mu myiteguro y'uwo mwaka.

Ekleziya umuvyeyi wacu igiwe imbere n'umusubirizi wa Petero mweranda Papa Fransisiko; yaruguruye icese ku wa 21 Nzero 2024 umwaka witiriwe igisabisho, muri uko kugurura uwo mwaka, igisata ca papa kijejwe kumenyesha Inkuru nziza carashije ahabona agatabu k'inyigisho kitwa «Twigishe gusenga».

Ako gatabu kazofasha igihugu c'Imana kwinjira neza muri uwu mwaka, uzodufasha kumenya no kwibuka ko igisabisho ari nkenerwa kandi ko igisabisho gifise agaciro kanini mu buzima bw'umuntu, Ekleziya n'isi yose nkuko Papa Fransisiko abimenyesha. Nyenubweranda akaba yashimye ko iyo yubire yohimbazwa ku civugo ngo :« Ingezi z'umwizero.»

***Ingene ako gatabo karinganijwe.***

Ako gatabu ni ubutumire buzodufasha kwibuka no kumenya igisabisho nk'ikiganiro c'umuntu n'Imana kugira azirikane neza ku bijanye n'ukwemera n'ukwifatira ingingo yo kugendera ukwo kwemera muri iyi si yubu, mu mpande zose umuntu ahamagariwe kubamwo agaburira ubuzima bwiwe bw'umutima ngo ashobore kumenyesha inkuru nziza mu gihe tugezemwo.

Ako gatabo karerekana kandi intumbero n'impanuro ku bijanye n'ingene umuntu yobaho yuzuye ikiganiro cabo n'Imana mu buzima bwa minsi yose.

Mu ntangamarara, ako gatabo karerekana gafatiye ku nyigisho ndoramana Nyenubweranda yagiye arashikiriza, ko igisabisho gituma umuntu yinjira mu bunywanyi bw'Imana burangwa n'umuco wayo.

Atumumirira abakristu gusenga badahengeshanya kuko igisabisho cukuri kidahindura gusa umuntu, gihindura ni ikibano naho hose umun-



tu yibaza ko igicumuro catse indaro. Ese igisabisho cobera umukristu wese umuco uboneshereza inzira zacu n'inguvu zishigikira urugendo rwacu tugana kunywana n'Imana.

Ni mugisabisho kandi twubura akanyamuneza k'agacerere, amahoro umuntu ashikira iyo yisize mu maboko y'Imana no kwifatanya n'aberanda.

Igice ca mbere cako gatabu kiyaga inyigisho Papa Fransisiko yigishije ku bijanye n'igisabisho, igice ca kabiri kikatwereka uburyo bwo gusenga, igice ca gatatu naco kivuga igisabisho mu kibano, mu mibano y'abakristu, mu ngo, mu rwaruka, n'inyigisho z'amapfungo ku bijanye n'igisabisho.

***Ni mube ingezi z'umwizero***

Ico civugo ca yubile ya 2025 gifise intumbero yo gukabura ukwemera kw'abakatolika bo kw'isi yose : abalayike, abaseredoti n'abihebeyimana bose bagatumiririrwa kugira ingendo nyeranda bagana i Roma, umutima w'Ekleziya ngo bashobore gusengera ku mva z'abatumwa. Ni igihe kidasanzwe co guhinduka, gusaba ikigongwe no kurekuriranira ku bakristu bose.

Igikorwa ca mbere ciyo yubire gitegekanijwe ku wa 24 Kigarama 2024. Papa azokugurura umuryango mweranda w'isengero yitiriwe Petero mweranda.

Ikimenyetso co gutumirira abagira ingendo nyeranda bo kwisi yose kuwucamwo ngo bahure na Kristu.

Uwo mugirwa wo guca mu muryango mweranda ushobora no kuzorangukira mu yandi masengero ari i Roma ariyo yaya: « Saint Jean- du-Latran » ; « Saint -Paul -Hors –les- Murs»; «Sainte –Marie-Majeure.

Iyo migirwa ikazoba ari akaryo kandi ko kugendera rya jambo Yezu Kristu yavuga ati : «Jewe ndi irembo. Uwunyinjiriyemwo azokira, azokwinjira ateko asohoke, aronke n'ubwatsi.» ( Yohani 10,9).

M S V Marie Goreth Ndikumana